*Nzero 2025* *kirundi*

# Ntugatinye ubuzima

**Yagira abandi umwizero ukwuzuye!**

(1 Petero 3,15)

***Kontakt:*** *Meinolf Wacker*
*Kirchplatz 7*
*59174 Kamen*

*Mobil.:* *+49-172-5638432*
*Mail:* *m.wacker@go4peace.eu*
*Homepage* *www.go4peace.eu*

Bakunzi ba go4peace,

Muri uyu mwaka mweranda, aho Papa Francisco adutumirira kugira urugendo rweranda nk'abafise ukwizigira, Mathilda aradusabikaniriza muri uku kwezi kwa mbere ibintu bivuye mu buzima bwiwe.

Niwe agira ati : „ maze gusozera amashure yisumbuye , nashaka vyanse bikunze kugenda kugira umwaka w'abatangakivi mu Buhindi. Ivyo nari narabihahamiye kandi navyiteguriye. Imisi mikeyi imbere y'uko ngenda, biraba urudubi, ndabura visa. Ivyo nari nizigiye birasambuka. Narumvise ko mbabaye kandi ncitse inkokora. Munyuma nigira inama yo guheba uyo mugambi kandi ngafata umwizero ntatinya ubuzima.

Abari banteguriye ico kibanza niko guhava bampa ikindi nu nzu y'urwaruka yitiriwe Yohanni Paulo II i Sarajevo, umurwa mukuru w'igihugu ca Bosnie Herzegovina. Sinari nzi n'iyo hahareraye. Narapfuye kwemera, ndafata indege ndagenda. Mazeyo imisi mikeyi ndagaruka. Emwe ku kibuga c'indege i Sarayevo mu gusezera narahahungururiye amasozi. Ico gihugu be n'ubugwaneza bw'abantu baho, vyari vyankoze ku mzutima koko, gushika aho numva ko kuhasezera kwari nko kuhasiga ikintu kingize jewe nyene. Sarajevo yambereye nk'ikintu ciza ca mbere c'umugambi nagize mu buzima bwanje".

Muze twifatanye na Mathilda muri uku kwezi twifatire iki civugo: Ntugatinye ubuzima!

Kubwa go4peace-Team Meinolf Wacker

---

P.S.: Teilt gern eure Erfahrungen in der App go4peace im Bereich „Entdecken & Schreiben".